INAMA NKURU Y'ABASHINGANTAHE
CONSEIL NATIONAL DES BASHINGANTAHE
SECRÉTARIAT GÉNÉRAL
BP 413 GITEGA

IJAMBO RISHIKIRIJWE N'INAMA Y'ABASHINGANTARE BO MU GISAGARA CA BUJUMBURA.

ITANGAZO No 3

Abashingantahe bahurikiye mu rwego rw'abashingantahe rw'igisagara ca Bujumbura, barababajwe n'ibitero bimaze imisi bishwiragiza abanyagihugu, amabombe yirirwa arica abantu agasambura amazu, eka umucanwa warakijwe, none uratema ugatongora.

Kubera ivyo, turateye aka kamo abariko bararwana, Leta n'imigambwe, eka n'abanyagisagara nyene tuti :

1. Ni murabe abo bantu bariko baricwa batazi ico bazira; ni murabe abo bantu, bariko barayerera bahunga batagira iyo baja ; ivyo bibondo n'abavyeyi barara rubunda bahora bafise iwabo; raba uyo mucanwa w'amabombe agwa ku bahita, agasambura amazu, muheze mwibaze, mubaze urnutima.

2. Murico gihe, abanyepolitique aho kuvuga rumwe ngo bose bahumurize abanyagihugu, babereke inyifato ibereye mu bihe bigoye nk'ibi ; bari mu mpari zitagira mvura ! Bariko barasubiranamwo baterana amajambo aho gusenyera ku mugozi umwe mur'aya magume ahanze igisagara gikuru c'Uburundi. Iyo nyifato irateye agahinda.

3. Nkuko Leta n'imigambwe bagiye mu biganiro vy'i Arusha bateye igikumu ku masezerano agenga igihugu muri kino gihe, n'ubu ni bemere baganire n'abatagiyeyo baba abo barwana, baba n'abandi bose batiyumvamwo ayo masezerano, baronderere hamwe umwumvikano w'ukuri uzanira amahoro arama Abarundi, kuko s'agaseseshwa rumuri, amahoro yarondewe i Arusha, ntayo turabona! Abashingantahe ntibobasiga inkore ku maso.

4. Abarwanyi ba Palipehutu-F.N.L, ba C.N.D.D-F.D.D, turabasavye, turabingize, hagarika ivyo bitero muje mu nzira y'ibiganiro. Ntaco mwitwaza ibitari vyo, ngo mukeneye kuganira n'abatutsi. Ibiganiro bihagaze ku bwoko ntibishoboka, kuko nta bwoko buratora abobuserukira mu biganiro nk'ivyo. Uko n'ukudadika.

   Mwaravuze yuko mutemera amasezerano ya Arusha, kubera yashimikiye ku kugabangana ivyicaro bafatiye ku bwoko. None mugire ivyo mwanse mube arivyo mushira imbere mu kwemera guhagarika ingwano? Oya, uko n'ukuba ba ntahomfatwa.

5. Va i buzimu lero muje i buntu, turabatakambiye ka buvyeyi, mur'abana b'igihugu mwese, emera muze muganire n'abandi, musangire ivy'igihugu cabibarutse, mureke kugitabagura.

   Imvugo y'ibirwanisho, ntaco ishobora gushikako kirama! Reka kwica abantu, ivyo bibombe mutera ntibitora umuhutu n'umututsi, birajaniranya. None mwumva muriko murwana na nde, mukarwanira nde ?

6. Dusavye Leta n'abagira neza bose, ngo bakore uko bashoboye bagarukire ku bahunze, bateshejwe izabo. Babaronse icorirenza, ico bifuka, n'aho bakika umusaya.

   Abashingantahe bari mu mazone tubasavye gufasha mu buryo bwose mushoboye mu kwakira abahungiye iwanyu no mu kubaremesha.

7. Abanyagisagara namwe, nimwigumye, mwibumbe muraya makuba turimwo. Fatane munda, mufashanye, ntimusubiranemwo ngo mugire uko ishavu rigize, mwoba mwogereje umwansi mu coze. Cane cane abanya Musaga na Kanyosha, ni mureme, mwongere muje muracungera y'uko agahengwe kaboneka, muje murasubira mu ngo batarabasahura. IMANA N'IBAGUMYE.

Gira amahoro n'intahe i Burundi.

Bigiriwe i Bujumbura, kuwa 10/07/2003

Inama y'abashingantahe mu Gisagara ca Bujumbura
Kasiyano SIMBARE

Umukuru wayo

Résumé : Communiqué du Conseil national des Bashingantahe de la Mairie de Bujumbura

Le conseil des Bashingantahe en mairie de Bujumbura condamne les attaques perpétrées dans la ville de Bujumbura en juillet 2003 et supplie les belligérants d'arrêter les hostilités et à ceux qui n'ont pas rejoint la table des négociations de le faire. Il invite le peuple burundais à rester solidaire,le gouvernement et les ONG de secourir les populations en détresse

Mots-clés : Accords, armes, Burundi, déplacés intérieurs, gouvernement, guerre, massacre, politique, réfugiés, sécurité